FORUM DES ORGANISATIONS DE PRODUCTEURS AGRICOLES DU BURUNDI

OXFAM Novib

AGATABU K'INYIGISHO ZEREKEYE KWIGISHA AMATEGEKO AGENGA AMATONGO NO KUYAKINGIRA MU KURYANDIKISHA

Kanditswe n'Umushingwamanza ARAKĀZA Albert

Bujumbura, Ruheshi 2017

IBIRIMWO

INTANGAMARARA *3*

0.1 Uko ibintu bimeze **3**

0.2 Intumbero z'inyigisho **4**

IKIGABANE CA MBERE : AMATATI AMWE AMWE YEREKEYE AMATONGO *5*

II.1 Ayerekeye amatongo ya Reta **5**

II.2 Ayafatiye kw'itongo ry'umuryango/itongo ry'umuntu **6**

II.3 Ayari hagati y'abavukana basangiye nyina gusa **7**

II.4 Ayari hagati y'umugore n'umugabo babana bidaciye mu mategeko **8**

II.5 Ayari hagati y'umugore n'umugabo bubatse biciye mu mategeko **9**

II.6 Ayari hagati y'umukobwa atagiye kwubaka na basaza we **9**

II.7 Ayari hagati y'umuhungu na se **10**

II.8 Ayari hagati y'abahungu na nyina **10**

IKIGABANE CA KABIRI: INGINGO ZIMWE ZIMWE Z'AMATEGEKO AGENGA AMATONGO ZEREKEYE ABARIMYI *11*

IKIGABANE CA GATATU: KWANDIKISHA ITONGO *19*

III.1 Amatongo arekuwe kwandikishwa n'ayatandikishwa **19**

III.2 Ingene bigenda mu kwandikisha itongo **19**

III.3 Iyo urupapuro ndagantongo rutaye ubigenza ute? **24**

III.4 Akarusho ko kwandikisha itongo **25**

IKIGABANE CA KANE: GUTATURA AMATATI YEREKEYE AMATONGO *25*

IV.1 Amasentare asanzwe **26**

IV.2 Sentare zidasanzwe **26**

IV.3 Ingene imanza zerekeye amatongo ziburanishwa **27**

IGIKORWA CO MUMIRWI *30*

INTANGAMARARA

0.1 Uko ibintu bimeze

Izi nyigisho zigenewe abaserukira amashirahamwe y'abarimyi hamwe n'abo bakorana nk'abashinzwe intwaro, abari mu gisata ntunganyamatongo kiri mu makomine, abacamanza, amashirahamwe yigenga, n'abandi. Mu nyigisho za mbere zatunganijwe n'Ihuriro ryinani ry'Amashiramwe y'Abarimyi borozi mu Burundi (FOPABU-Ijwi ry'abarimyi) abari muri zo bari basavye ko hotunganywa izindi nyigisho ziharije ku kwandikisha itongo. Izi nyigisho zije rero nk'inyishu y'icupfuzo cashikirijwe n'abaserukira abarimyi ubwabo.

Nkako, kwandikisha itongo ni nkenerwa kandi biri mu mugambi wa Reta, aho bipfuza ko umuntu wese ari kw'isi y'Uburundi yokwandikisha itongo ryiwe mu gisata cabigenewe kiri muri Komine.

Ariko, ico gisata ntikiratangura gukora mu makomine yose y'Uburundi. Ahatari hake, baracari mu kiringo c'ukuraba ko umugambi ushoboka, basuzume intambamyi ziriho hamwe n'ingingo zibereye zofatwa.

Hari imvo nyinshi zerekena ko bikenewe kwandikisha itongo: gukinga amatati asanzwe ari menshi mu gisata c'amatongo (80%) canke kuyatatura, kuronka ingwati n'ibindi.

Naho ivyo bisata ntunganyamatongo biri, hari aho dusanga intamamyi nyishi zituma bidakora neza. Aho twovuga nk'ukubura ibikoresho, kubura uburyo bw'amafaranga canke kutagira abakozi bakwiye canke bafise ubumenyi bukwiye n'ibindi.

Kuri ivyo, hiyongerako izindi ntambamyi zifatiye ku matongo amwe amwe atandikwa. Aha twovuga nk'amatongo agize imyonga. Hari n'aho mbere usanga abajejwe intwaro banka ko bene amapeyizana bayandikisha kuko bavuga ko ari amatongo ya Reta.

Izi nyigisho rero muri make zica hiryo no hino amategeko yerekeye amatongo ariko zishimikiye cane cane ku vyerekeye kuyandikisha mu bisata ntunganyamatongo biri mu ma komine.

Aka gatabo rero kagenewe abajejwe intwaro, abajejwe ubutungane n'abenegihugu b'abarimyi borozi mu ntumbero yo kumenyesha amategeko agenga amatongo mu Burundi, amatati n'umuti utangwa n'inzego zibijejwe.

0.2 Intumbero z'inyigisho

Intumbero y'izi nyigisho ni ukwungura ubumenyi bw'abari muri zo ku vy'amategeko yerekeye kwandikisha amatongo kugira na bo bazohimirize abo baserukira hamwe n'abandi bose ku vyerekeye akamaro ko kwandikisha itongo.

Izi nyigisho zigizwe n'ibigabane bine

I. Intangamarara

II. Ingorane zerekeye amatongo muri rusangi

III. Ingingo zerekeye umurimyi ziri mu gitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi

IV. Ibisata ntunganyamatongo

V. Gutatura amatati yerekeye amatongo: Ububasha bw'amasentare mu guca imanza n'ingene zicibwa

IKIGABANE CA MBERE : AMATATI AMWE AMWE YEREKEYE AMATONGO

Muri kino kigabane tugaruka ku matati akunda kwibonekeza mu vyerekeye amatongo. Duca twerekana kandi inyishu zibereye duhabwa n'amategeko yaba ayanditse canke ayo dusanga mu migenzo y'ikurundi, eka mbere hari n'aho twishimikiza ingingo zashinzwe n'amasentare.

II.1 Ayerekeye amatongo ya Reta

Ayo matongo arimwo amatati atari make kandi afise impande nyinshi. Inkuru zatohojwe kandi zifise ifatiro, zirerekana ko abashinzwe kurongora ama komine benshi batazi gutandukanya amatongo y'amakomine borongoye hamwe n'aya Leta. Naho bimeze uko amategeko aratomora ko atandukanye.

Ingingo y'300 y'Igitabu kigenga amatongo mu Burundi rivuga riti : "*Amatongo y'amakomine, ay'amashirahamwe yashinzwe na Reta, n'ay'amashirahamwe Reta ifisemwo umutahe munini agizwe n'amatongo ya Reta agenewe gukoreshwa na bose n'ayiganziwe na Reta nk'uko bishingwa n'ingingo ziri muri iki gice*".

Amatongo akoreshwa ku neza ya bose kubera kamere kayo y'amakomine n'ay'ayandi mashirahamwe ya Reta agizwe n'ibi :

- Amashamba yemejwe n'ibwirizwa rishinga Igitabu c'amategeko agenga amashamba ;
- Amatungo canke ibice vy'ayo matungo afatanye n'amatongo agenewe gukoreshwa ku neza ya bose kubera kamere kayo Reta yahaye ishirahamwe ryayo canke ikomine.
- Amatongo y'amakomine n'ay'ayandi mashirahamwe akora ku neza ya bose akoreshwa ku neza ya bose kubera ko Reta yabishatse uko agizwe n'ibi :

- Amayira n'ibibanza bikoreshwa ku neza ya bose biri mu matongo y'amakomine ;
- Amatungo canke ibice vy'amatungo afatanye n'amatongo agenewe gukoreshwa ku neza ya bose kubera ko Reta yabishatse uko, Reta yahaye amashirahamwe yayo akora ku neza ya bose (ingingo ya 302 y'igitabu kigenga amatongo).

Ikibazo kinini gihagaze kumenya koko ko amakomine afise amatongo. Inyishu tuyisanga mu ngingo ya 304 y'igitabu c'amategeko agenga amatongo, nayo ivuga iti: "*Amatongo y'ikomine agizwe ku ruhande rumwe n'amatongo ikomine yaguze canke yagabiwe n'abantu, ku rundi ruhande agizwe n'amatongo ikomine yaguze canke yagabiwe na Reta*".

Kugira rero uvuge ko iri tongo canke ririya ari irya komine kanaka uba ubonye ivyemezo bikurikira: ingingo yegurira ayo matongo komine kanaka, aha twovuga nk'itegeko ry'umushikiranganji ryegurira amakomine ibipimo vy'ibiti bitarenza hegitari cumi; ingingo yegurira Komine kanaka itongo rinaka. Kandi ryoba ryanditse ko ari irya Komine. Iyi nayo iba ibifitiye impapuro riziranga, canke impapuro z'amasezerano y'ubugabire mu gihe iryo tongo ryoba ari iryo yagabiwe.

Mu gihe ari tongo ryaguzwe hoba hari ho impapuro z'ubuguzi kandi ryandikishijwe mu gisata ca Reta kibijejwe.

Amakomine asabwa kwandikisha amatongo yayo bwite, agapimwa kugira ntihabe kuyitirinya n'aya Reta cake ay'abantu. Ivyo bikinga amatati bigafasha amakomine kwiteza imbere aho biyorohera kuronka ingwati n'amafaranga akenewe kugira irangure imigambi yayo.

II.2 Ayafatiye kw'itongo ry'umuryango/itongo ry'umuntu

Muri rusangi ayo matati agaragara iyo abavukana bamaze kugabura hanyuma umwe/bamwe muri bo akagurisha. Ikibazo gihagaze kumenya nimba kugira uwushaka kugurisha abanza guhabwa uruhusha n'abo bavukana, canke ko ubuguzi bwabaye bwofutwa ku mvo yuko uwagurishije atabanje kubaza abo bavukana.

Inyishu itangwa n'igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi mu ngingo ya 16 ivuga iti : « *Ububasha kw'itongo bwegu ni ububasha bwo kurikoresha ico nyene ryo ashaka ata nkomanzi, kiretse ibibuzwa n'amategeko canke ububasha uwundi muntu afise kuri iryo tongo*».

Nkako, iyo abavukana bagabuye umwe wese yega igice yaronse kikaba itongo ry'umuryango wiwe (we, umugore n'abana biwe). Mu gihe yogurisha iryo tongo hasabwa ko abija inama n'umugore wiwe hisunzwe ingingo ya 126 y'igitabu kigenga ingo n'abantu.

II.3 Ayari hagati y'abavukana basangiye nyina gusa

Mu migenzo y'ikirundi, abana batorana kuri se canke kuri nyina iyo se atazwi. Mu mategeko yanditse batorana ku bavyeyi bompi. Ingorane zihagaze ko kenshi, ari nk'umukenyezi atize, usanga aba kw'itongo ry'umugabo canke aba i wabo. Iyo ba se w'abo bana bazwi nta ngorane zibamwo kuko umwe wese aca atorana kwa se. ariko iyo batazwi batorana kuri nyina.

Kenshi biragora kumenya uburenganzira bw'umwe wese mu gihe bansagiye nyina gusa kuko abafise ba se kandi biboneka ko muri ayo matungo bafise mwo ruhara bashaka kurondera kuronka vyinshi gusumba abandi.

Uravye ingene amasentare aca izo manza, kenshi ashinga ko abo bana bonganya kuko abafise ba se batazwi atahandi baba bafise botorana atari kuri nyina. Tubona mbere ko iyo ngingo ari iy'ubutungane.

Abana badafise ba se bazwi batorana kuri nyina

II.4 Ayari hagati y'umugore n'umugabo babana bidaciye mu mategeko

Umugore abana n'umugabo bataraganye imbere y'amategeko ntibafatwa nk'urugo n'aho mu kibano bashobora kuba babafata nk'umugore n'umugabo. Nico gituma iyo bagomvye kuvana amwe wese atwara ivyo yazanye. Ariko hari aho babana umwe wese akazana ibintu ariko ntivyorohe kumenya neza umwe wese ico yazanye. Niho hava amatati.

Muri ico gihe rero, hisunzwe ingingo ya 31 y'igitabu c'amategeko agenga ingene imanza z'amatati zishingishwa, zitohozwa, zikaburanishwa niyo ica yisungwa. Iyo nayo ivuga iti : "*umwe wese mu baburanyi niwe ategerezwa gutanga, yisunze amabwirizwa, ivyemezo bikenewe bishigikira ivyo asaba sentare*". Ariko ntivyama vyoroshe ko umwe wese aharura atihenze ivyo yazanye mu rugo, aho ni nk'iyo babanye imyaka myishi.

Umugore n'umugabo babana bidaciye mu mategeko iyo bagomvye kuvana umwe wese atwara ico yazanye canke bakagabura ivyo barondereye hamwe.

Kubera ubu kubana bidaciye mu mategeko ari icaha gihanwa n'amategeko: umunyororo uva ku kwezi 1-3 hamwe n'ihadabu iv aka mafaranga 100.000-200.000. ababana bidaciye mu mategeko bokwihuta bakaja kuragana nkuko amategeko abivuga.

II.5 Ayari hagati y'umugore n'umugabo bubatse biciye mu mategeko

Amatati akunda kuba afatiye kukugarisha ibintu vy'urugo batagiye inama. Haca hisungwa ingingo ya 126 y'igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi. Iyo nayo ivuga iti: "*Abubakanye batavyemeranije bose, nta n'umwe muri bo ashobora:*

1° Kugwatiriza canke kugurisha amatongo y'urugo canke itongo ryegukira umuryango ntashobora kandi kuvyegurira abana bavyaranye n'aho boba bashaka gushing izabo.

2° Kugura canke kugirisha amatongo canke amazu yegukira umuryango kiretse iyo hari amategeko, canke amasezerano canke umugenzo w'ikirundi ubutegekanya ukundi.

Ivyitwa ko vyegukira umuryango ni:

- *Amatongo y'iragi*
- *Inzu umuryango ubamwo*
- *Amatongo abubakanye barondereye hamwe*

Igurishwa ry'amatongo avugwa mu gace ka mbere k'iyo ngingo ntirishobora kuba ba samaragwa bataragabura iragi".

Ariko rero iyo ngingo irafise agahaze kuko itaraba agaciro k'ikikintu ahubwo iraba kamere. Nk'akarorero urashobora gusanga imodoka izimvye gusumba I pariseri umuryango uba mwo.

Igihe cose abubakanye bashatse kugurisha canke kugura ikintu bobija inama.

II.6 Ayari hagati y'umukobwa atagiye kwubaka na basaza we

Nkuko bimaze kugaragara mu manza nyishi, naho hakiri abahungu bamwe bamwe batemera kugabura na babashiki babo batagiye

kwubaka, amasentare, muri rusangi afata ko umukobwa atagiye kwubaka aronka itongo ringana n'irya basazawe.

II.7 Ayari hagati y'umuhungu na se

Amatati ashobora kwaduka ni menshi. Hari aho umuhungu ashaka gutorana se akiriho. Aho naho sentare ntibimukundira kuko atawutorana uwukiri ho. Ariko rero kugira have induru hari n'aho senaka yemera ko abana biwe bamutorana akiriho akisigariza ahamutunga. Aho naho haca habegukira mu gihe yitavye Imana.

Ayandi matati afatiye kukumenya uburenganzira bw'abana n'ubw'abavyeyi ku matungo y'umuryango. Izo ngorane ziva ko abana bashaka ko ivy'abavyeyi bobitwara vyose, mbere bakanababuza kubigurisha no mugihe bikenewe, nko kuja kwivuza mu mahanga. Aha rero hari agahaze kuko amategeko ataco avuga.

Hari n'ayandi matati afatiye ku gusohorwa. Amategeko aravuga ko abavyeyi barera abana gushika n'aho babasohora. Ariko rero umuvyeyi asohora umwana afatiye ku buryo afise kandi nawe agashobora kubandanya abaho.

Vyongeye, iyo umuvyeyi asohoje umwana itongo, uyu ntashobora kuryanka mu ntumbero yo kuvuga ko ariwe yitorera aho bamuha. Yakira aho amuhaye.

Vyoba vyiza bashize ho itegeko kandi bagatomora, nka kurya kwo mu bindi bihugu, ibice vyegukira abana n'ibindi vyegukira abavyeyi. Ivyo vyotuma hava amatati canke ingeso y'ubunebwe aho abana benshi bafata ko amatungo y'abavyeyi babo ari rwabo yose.

II.8 Ayari hagati y'abahungu na nyina

Ni amatati adakunda kuboneka ariko ashika rimwe na rimwe, aho usanga abana birukana nyina wabo bavuga ko atari yubatse biciye mu mategeko. Canke hari aho basaba ko botorana se, bashigikira ko nyina

wabo ataco agaba muri urwo rugo. Aho hose sentare ntizica imanza kumwe.

Ariko ikibereye ni uko nyina w'abana akingirwa. Aho harashobora kwisungwa ingingo ya 121 y'igitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi. Iyo ivuga ko iyo serugo atahari asubiriwa na inarugo.

IKIGABANE CA KABIRI: INGINGO ZIMWE ZIMWE Z'AMATEGEKO AGENGA AMATONGO ZEREKEYE ABARIMYI

Muri kino kigabane, tugaruka ku ngingo zimwe zimwe dusanga mu gitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi zerekeye mu burimyi canke zivamwo amatati amwerekeye.

Ingingo ya 11 : Iyo ngingo ivuga ko nyene itongo ariwe we aganza ibiri hejuru y'agataka, ku gataka no musi y'agataka. Ikongera ikavuga ko nyene itongo aganza ibiri musi y'agataka, hatirengagijwe ibitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko agenga ibidukikije hamwe n'ayagenga ubutare n'ibitoro bishobora kuba biri musi y'agataka.
Ah twovuga nk'amazi ari munsi y'agataka canke ku gataka agengwa n'amategeko yerekeye amatongo ya Reta akoreshwa ku neza ya bose arimwo amazi.
Amatati kenshi afatira ko bene amatongo bibaza ko n'agataka ari rwabo. Ni imwe mu mvo ituma bidoga nk'iyo Reta itoye amabuye y'agaciro, nk'inzahabu, bagaca basaba indishi nini kuko biyumvira ko agataka n'ibiri mwo ari rwabo.

Hari n'aho ubona nk'umuntu afise itongo yanka ko bacisha amazi mw'itongo iwe avuga ko n'agataka ari rwiwe ko rero bobanza kumuha

indishi. Twisunze amategeko, indishi yoyihabwa mu gihe hoba hari imirima bakabanza kuyonona kugira bahacishe ayo mazi. Kira noneho no mu migezo y'ikirundi ntawimana inzira.

Ingingo ya 20: ivuga ko ivyubatswe canke ibiterwa vyashizwe kw'itongo ry'uwundi muntu mugabo nyene kubishirako akoresheje ibikoresho n'ibiterwa vyiwe ata buryarya abigiranye, ivyo bigiye kuri iryo tongo biba ivya nyeneryo. Yongerako ko mu gihe nyene kubishiraho ata buryarya abigiranye agikoresha iryo tongo, nyene itongo ntashobora gushinga ko bivaho.

Ikiringo c'ukurikoresha kirangiye, nyene itongo ategerezwa gusubiza nyene vyo ikiguzi c'ibikoresho canke ic'ibiterwa n'impembo y'ababishizeho canke akarusho kiyongereye kuri iryo itongo kubera vyo.

Iyo nyene gukora ivyo bikorwa yari azi ko atari nyene itongo canke yari azi ko azoshobora kuryakwa umwanya uwo ari wo wose, maze akaba yagize uburyarya, nyene itongo ashobora gushinga ko bisamburwa canke birandurwa bikavanwaho vyose hakoreshejwe uburyo bwa nyene kubishiraho, mbere n'indishi igatangwa bikenewe canke ashimye ko bihaguma agasubiza ivyakoreshejwe canke akarusho kiyongereye kuri iryo itongo nk'uko bivugwa mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo.

Ingingo ya 21: iravuga ko iyo nyene itongo, mu kwubaka canke mu gutera ibiterwa, yarengereye kw'itongo atari rwiwe mugabo ata buryarya yabigiranye, uwarengerewe adashobora gushinga ko bivaho mu gihe biboneka ko agahombo agira ari gato cane ugereranije n'agahombo nyene kubishiraho yogira mu gihe vyokurwaho. Muri ico gihe, aho yarengereye haca haba rwiwe ariko akahatangira indishi.

Kenshi biraboneka ko abantu bibaza ko gutera ibiterwa canke kwubaka inzu mw'itongo ry'uwundi ari ivyemezo ko nawe arifise ko ububasha, nkuko mbere bavuga ko ari "ugufatisha". Iyo ngendo ntibereye kuko iyo uritsinzweko uca usambura ivyo wubatse canke ukomora ivyo wateye kandi ku buryo bwawe.

Bivuga kandi iyo hari amatati kw'itongo kirazira kugira ico wubatseko canke uteye ko.

Ingingo ya 22: iravuga ko uwuronse ikitimuka ata buryarya abigiranye akagikoresha imyaka mirongo itatu ata nkomanzi, adahagaritse, ku mugaragaro kandi ata mahinyu gica kimwegukira kubera igihe akimaranye.
Uwufatwa ko aronse ikitimuka ataburyarya abigiranye ni uwo wese aronse ikitimuka yibaza ko uwakimuhaye agifiseko uburenganzira atari vyo kandi bitamuvuyeko.

Umuntu yama afatwa nk'uwutagira aburyarya, uwagiriza uwundi uburyarya ni we ategerezwa kubitangira ivyemezo.
Uwukoresha ikitimuka c'uwundi kandi azi ko ashobora kucakwa umwanya uwo ari wo wose ntashobora kwitwaza umwanya akimaranye kugira kimwegukire.
Izo ngingo zirahambaye kuko ziratuma hataturwa amatati atari make, aha twovuga nk'ayari hagati y'abahunze kubera amagume yashikiye Uburundi hamwe n'abasigaye iyo aba baba mu matongo atari rwabo.

Ingingo ya 57: iyo ngingo yerekeye kwifashisha itongo canke ikintu c'umuntu. Muri rusangi nta matati ava kuri iyo ngingo kiretse ivyerekeye igiseke gihabwa umukobwa yagiye kwubaka urwiwe. Amatati yaduka iyo abana b'uwo mukobwa bashatse gusubira mu

gishingo ca nyina barondera kuguma barima itongo nyina wabo yarima bwa giseke. Aho amategeko aratomoye kuko avuga ati: “Ukwifashisha ikitimuka c’uwundi bishobora kumara ubuzima bwose canke bikamara ikiringo cumvikanyweko. Bishobora kuba hasabwe canke harangutse ibintu bimwebimwe”.

Ingingo y’ 101: iyo ngingo irabuza nyene itingo riri ahakirurutse kurekurira amazi mw’itongo riri hepfo ku buryo ryononekara. Nkako hari aho uwuri haruguru aca arukurira mazi y’imvura mw’itongo riri hepfo rikamwononera.

Ingingo y’ 112: iyo ngingo yerekeye ibiti canke uduti turi canke twegereye urubibe. Ivuga iti bitarekuwe kugira ibiti n’uduti ahegereye urubibe rw’itongo ry’umubanyi atari ku ntambwe yashinzwe n’amategeko abigenga canke n’imigenzo isanzwe iriho kandi izwi.

Ingingo y’ 113: iyo nayo iha uburenganzira umwe mu babanyi gusaba uwundi ko ibiti canke canke uduti vyatewe hadakurikijwe amategeko birandurwa. Kenshi amatati yanduruka iyo hari ibiti vyonona indimo z’uwundi.

Iyo amashami y’ibiti n’uduti vy’umubanyi birereteta kw’itongo ry’uwundi, ararekuriwe gusaba nyene vyo kubica.

Ivyamwa vyikoroye kuri ayo mashami bica bimwegukira.

Iyo hari imizi ishorera mw’itongo iwe canke ibirandarandira kuri ryo, arafise uburenganzira bwo kubica we nyene gushika ku rubibe ruyatandukanya (**ingingo ya 115**).

Ingingo y’118: yerekeye gusaba canke gutanga inzira. Umuntu afise itongo ritagira umuhora kandi ntirishike ku nzira y’abahita, arashobora gusaba inzira ku matongo y’ababanyi biwe. Iyo nzira

itegerezwa guherera ku ruhande rutuma urugendo ruba rugufi kuva kuri nya tongo gushika ku nzira y'abahita kandi ntibitere agahombo kanini.

Amatati kenshi ava ku mpari ziri hagati y'uwutanga inzira n'uwuyisaba. Umwe arondera inzira irashe kandi itazigura. Nyene itongo na we akanana avuga ko atanga inzira aho ashaka, aho ni iyo atavuze ko adatanga inzira canke atoyisabwa we nyene.

Ingingo y'134: Iyo ngingo ivuga ko nyene itongo ashobora kuritanga kugira aronke ingwati. Ariko rero twibutse ko iyo itongo ritandikishijwe, bene gusaba ingwati ntibashobora gutanga amafaranga bataronse ivyemezo ko iryo tongo ari irya naka. Ivyo navyo bavyemezwa n'urupapuro ndangatongo nyene ryo abashikiriza, mbere bakaca barugumya gushika nyene kuronka ideni arishe ayo aheranye yose.

Ingingo z' 212-: izo ngingo zerekeye ingene umuntu ashobora gusaba itongo Reta kugira arangure umugambi. Iyo umuntu aronse iryo tongo arafise ivyo ategerezwa gukora ku buryo iyo atabikoze aca aryakwa. Ni naco kimwe n'iyo adakoresheje iryo tongo ico yarisabiye, naho nyene aca aryakwa. Twibutse ko Bulamatari cake Musitanteri batarekuriwe gutanga itongo rya Reta. Babirenzeko naho izo ngingo hari uwuzishikirije sentare zica ziba impfagusa.

Ingingo y' 411-: izo ngingo zerekeye ingene umuntu ashobora gusohorwa mw'itongo ryiwe kugira hakorerwe imigambi y'inyungu rusangi.

Amatati akunda kuva ko Reta itanga indishi nke kandi ntiyitange imbere y'uko abari muri iryo tongo barishorwamwo, bikanashika mbere bene kwakwa amatongo bagaturatura kuko bataronse iyo baja canke amafaranga baronse ari intica ntikize.

Aho twokwibutsa ko amategeko avuga ko iyo Reta idakoresheje itongo ico yari yarigeneye mu kuryaka nyene ryo, rica risubizwa uwahora ari nyene ryo. Mu ngiro ariko usanga abari bene yo batayasabizwa iyo Reta ihevye imigambi yarirondereye.

Ku vyerekeye indishi, ingorane ni zibiri: ubwambere ni uko itegeko ry'umushikiranganji ryerekeye indishi ryamaze guta igihe. Ubwa kabiri iryo tegeko ritanga amahera make cane.

Aha tubona ko Reta yovyitwararika kugira umuntu wese asohowe mw'intongo ryiwe abanze aronke umuzibukiro kandi ukwiye.

Ingingo za 438-: ***izo ngingo zerekeye imyonga***. Amatongo ari mu myonga agizwe n'imirwi ibiri: amatongo ya Reta adatangwa, amatongo ya Reta atangwa kuruhande rumwe, hamwe n'amatongo yegukira abantu kurundi ruhande.
Ibikunda gutera amatati bifatiye ku bintu bikurikira: gutandukanya amatongo ya Leta n'aya ma komine. Aho abarongoye amakomine batazi gutandukanaya amatongo ya Leta n'aya ma komine. Noneho ubiravye usanga amakomine ata matongo afise mu myonga yose ari aya Reta canke abanyagihugu.

Ahandi naho, usanga amatati ari hagati y'uwagazuye na nyene inkuka iriko uwo mwonga. Inyishu iri mu mategeko mu **ngingo ya 444** iviuga

iti: "*Imyonga ni iya nyene kuyigazura si iya nyene amatongo ahanamiye imyonga canke iya bene utubande tuhashokera.*

Ikindi kidasanzwe ku matongo ari mu mwonga, ni uko uwuririma ashobora kuryakwa mu gihe atarikoreye. Tubisanaga mu **ngingo ya 451**: "*Abarima imyaba bategerezwa kuyirima bakurikije amategeko kandi babifashijwemwo n'abahinga bo mu bisata bijejwe gutunganya imyonga kugira umwimbu wiyongere kandi ntitituke"*.

Ukutarima umwaba uri mu matongo yiganziwe na Reta mu kiringo **c'imyaka ibiri** ikurikirana ata mvo yemewe izwi, biha ububasha uwujejwe gutunganya ivyerekeye imyonga bw'ugufata ingingo y'ukuwaka uwari yarawuhawe akawuha umuntu wese yiyemeje guca awurima, abishikirijwe na musitanteri abanje kubija inama n'inama ya komine ibifitiye ububasha muri ako karere.

Uwujejwe gutunganya ivyerekeye imyonga arashobora igihe ico ari co cose, ishikirijwe na musitanteri abanje kubija inama n'inama ya komine ibifitiye ububasha muri ako karere, gufata ingingo y'ugusubiza umwaba mu matongo yiganziwe na Reta igihe nyene wo atubahirije amategeko y'ukuwurima yashinzwe n'ibisata vy'ubuhinga bijejwe ivyerekeye imyonga.

Ikindi gitera impari cane, cerekeye amakori amakomine atoza ku matongo yo mu myonga. Ariko dusomye ibwirizwa rigenga amakori rirerekana ko ***amatongo yo mu mwonga adatozwa amakori.***

Ingingo y'455-: **Zerekeye amapeyizana**. Izo ngingo zeguriye amatongo y'amapeyizana abari bansazwe bayarima. Izo ngingo ziranatomora ko mu gihe habaye amatati yo kumenya nimba itongo ari peyizana canke atari ryo, baca bitura umugwi w'igihugu ujejwe amatongo. Niwo uheza ugatora inyishu.

Amatati yaduka kubera mu ntara zimwe zimwe abajejwe intwaro bagifata ayo matongo nk'aya Reta, mbere bakankira bene yo kuyandikisha.

IKIGABANE CA GATATU: KWANDIKISHA ITONGO

Kwandikisha itongo mu gisata kibijejwe mu makomine ni umwe muntumbero zikomeye z'igitabu c'amategeko agenga amtongo mu Burundi. Ni mugambi munini kandi ngirakamaro kandi ukwiye kwijukirwa n'abantu bose baba mu Burundi. Reka turabe intwambwe nyamukuru zikurikizwa. Imbere y'aho reka tugaruke ku ngingo ngenderwako zimwe zimwe.

III.1 Amatongo arekuwe kwandikishwa n'ayatandikishwa

Twisunze **ingingo ya 380** turabona ko amatongo yatoranywe, amatongo yaguzwe canke umuntu yagabiwe. Iyo ngingo iratomora ko bikenewe hisungwa imigenzo ari co gituma harimwo ayatoranywe.
Eka mbere amategeko aremera ko hisungwa imigirwa y'ahantu kugira bavuge ko itongo ari irya naka: "Amatongo afatwa ko afise bene yo hakurikijwe imigenzo y'igihugu ni amatongo atari ayo mu Gisagara akorerwa koko. Amatongo afatwa ko akorerwa, ni ayarimwo imirima canke inyubakwa izo ari zo zose, ayateguriwe indimo canke ayamaze kwimburwamwo co kimwe n'uburagiro bwiharijwe na bene bwo canke abasangiye urwuri (**ingingo ya 381**).

Amatongo atandikishwa nayo ni amatongo ya Leta (**ingingo y' 381**), amatongo yamaze kwandikishwa (ing. 383) hamwe n'amatongo ari mu myonga (ing y'444).

III.2 Ingene bigenda mu kwandikisha itongo

Uwundakisha itongo ryiwe aca ku ntambwe nyinshi: gusaba itohoza, uguhagarikisha kwandikisha itongo, Itangwa ry'urupapuro ndangatongo rwo mw'ikomine.

1. Gusaba

Urupapuro ndangatongo rwo mw'ikomine rutangwa rusabwe n'uwo vyega. Bica mu rwandiko rushikirizwa igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo zo mw'ikomine. Rushobora gusabwa n'umuntu umwe ukwiwe canke abantu benshi barusabiye hamwe. Igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw'ikomine kiraha abasaba impapuro ndangatongo ***inkaratasi buzuza***, kikabafasha no kuzuzuza mu gihe bikenewe. Ingene urwo rukaratasi rumeze bishingwa n'Umushikiranganji ajejwe amatongo atari ayo mu gisagara. (**ing y'390**).

- ✓ **Ibikenwe kugira usabe itongo ni ibiki?**

Ibisabwa bitegekanijwe n'ingingo ya **492**, na vyo ni ibi bikurikira:

1° Urwandiko rudondora nyene kubisaba: uwubikeneye arusaba muri komine abamwo

2° Urwandiko rudondora mu ncamake iryo tongo rukerekana aho rihererereye bifatiye ku hantu hakuru hakuru hazwi nk'amabarabara, inzuzi, aharangurirwa imirimo ya Reta canke urudandazwa, amatongo bihereranye yanditswe, amazina y'ababa mu matongo bihana imbibe canke vyegeranye: ni nyene itongo arwiyandikira.

3° Urwandiko urwo ari rwo rwose rwemeza canke rushigikira ivyashikirijwe n'uwusaba, nk'urwandiko rwemeza ko umuntu yaronse itongo canke urwandiko rwemeza ko habaye ihanahanwa ry'itongo rwemewe n'amategeko, urwandiko rutanga uruhusha rwo kuribamwo rutangwa n'uwubifitiye ububasha canke ikopi y'urubanza rwaciwe ubutagisubirwawo.

2. Itohoza ryerekeye amatongo

Ico gikorwa cega igisata kijejwe ico gikorwa kiri muri Komine. Naco gikora ibi bikurikira :

i. kiratohoza ivyerekeye idosiye isaba kwandikisha itongo na canecane kigahinyuza ko itongo risabirwa kwandikishwa ridasanzwe rifise urupapuro ndangatongo rwo ku rwego rw'igihugu, ko ritari mu matongo ya Reta agenewe gukoreshwa ku neza ya bose, ko ritari kandi mu matongo yiganziwe na Reta, ayiganziwe n'ikomine canke ishirahamwe rya Reta

ii. gushinga igenekerezo umurwi wo ku mutumba ujejwe gutohoza ivyerekeye amatongo uzokwishikira kw'itongo (bikorwa na Musitanteri wa Komine)

iii. gutangaza idosiye y'ugusaba kwandikisha itongo n'igenekerezo umurwi wo ku mutumba ujejwe gutohoza ivyerekeye amatongo uzokwishikira kw'itongo. Iryo tangazo rimanikwa ku biro vy'ico gisata no ku mutumba w'aho iryo tongo rihererereye rikongera rigatangazwa kandi biciye mu bundi buryo bwose bw'ukumenyesha amakuru busanzwe bukoreshwa aho hantu, rigatomora ko aboba bagomba guhagarikisha iyandikwa ry'iryo tongo bashobora kwakirwa gushika kw'igenekerezo ryo kwishikira kw'itongo.

iv. Gushika kw'itongo

v. Gutanga urupapuro ndangatongo

✓ **Ababa bahari umunsi w'ugushika kw'itongo**

- uwusaba kwandikisha itongo ;
- abagize umurwi wo ku mutumba ujejwe gutohoza ivyerekeye amatongo ;
- ababanyi ;

- abahagarikisha iyandikwa ry'itongo babimenyesheje igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw'ikomine.

✓ **Abatohoza bakora iki? (ingingo y'395)**

Imbere y'uwasavye kwandikisha itongo, umuryango wiwe, ababanyi, ivyabona hamwe n'aboba bagomba guhagarikisha iyandikwa iyo bahashitse, abagize uwo murwi barihweza ko ivyashikirijwe n'uwasavye kwandikisha itongo bifise ishingiro kugira bizokwandikwe ku rupapuro ndangatongo, bakwumviriza n'aboba bagomba guhagarikisha iyandikwa ry'itongo.

Iyo hari abahagarikisha iyandikwa ry'itongo, umurwi urageregeza kubumvikanishiriza aho nyene n'uwusaba kwandikisha itongo.

Icegeranyo c'ivyakozwe n'umurwi wishikiye kw'itongo kirimwo n'ingingo zafashwe n'umurwi nk'izerekeye ihagarikishwa ryatorewe inyishu n'iritatorewe inyishu, kigirirwa aho nyene gitegerezwa gushirwako imvo zabitumye n'uguterwako igikumu n'abagize umurwi. Urutonde rw'abandi bantu bari bahari ruriko imikono yabo ruraherekeza ico cegeranyo kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw'ikomine gica kimanika icegeranyo cakozwe n'ingingo imenyesha ko itohoza ryarangiye. Iyo ngingo iba irimwo ibi bikurikira:

1° ibiranga uwusaba kwandikisha itongo n'ububasha arifiseko bwemejwe n'umurwi ;

2° ukudondora muri make uko itongo rimeze harimwo aho rihererereye, imbibe zaryo zerekanwa n'abo vyega hamwe n'amazina ya ba nyene amatongo ahana imbibe n'iryo tongo n'uburinganire ngereranyo bwaryo. Ivyo birashobora guherekezwa

n’agacapo kerekana uko itongo rimeze canke iyimuriro ry’ikarata y’amatongo yo mw’ikomine iriko iryo tongo iyo ihari ibiranga abandi bafise ububasha kw’itongo bwemejwe ku mutumba mu gihe c’ukwishikira kw’itongo ;

4° iyo bikenewe, inomero y’urubanza n’igenekerezo rwakurikirijweko ubutagisubirwamwo.

Ingingo imenyesha ko itohoza ryarangiye iteweko igikumu na musitanteri, imanikwa ku gisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw’ikomine mu kiringo c’iminsi mirongo itatu, ikiringo aho abahagarikisha iyandikwa canke bagomba kwandikisha ububasha kuri iryo tongo bashobora kwakirwa n’igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw’ikomine.

3. Uguhagarikisha ngo itongo ntiryandikwe? (ing. 397-)

Uguhagarikisha bishobora gushikirizwa biciye mu rwandiko rushikirizwa igisata kibijejwe. Ico gisata na co kikavyandika mu gitabu c’urutonde rw’abasaba impapuro ndangatongo mw’ikomine, uwuvyakiriye agaca atera igikumu ahabigenewe.

Kiretse bisabwe n’uwusaba urupapuro ndangatongo, urwandiko rusaba uguhagarikisha iyandikwa ry’itongo mw’ikomine rwashikirijwe igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo zo mw’ikomine itohoza ritaratangura, ntibihindura igenekerezo ry’ukwishikira kw’itongo.

Uguhagarikisha bishobora kandi kwakirwa igihe umurwi wo ku mutumba ujejwe gutohoza ivyerekeye amatongo uba wishikiye kw’itongo nk’uko bitegekanijwe mu ngingo ya 396.

Uguhagarikisha canke ugusaba iyandikwa ry’ububasha kw’itongo vyashikirijwe mu gihe ingingo imenyesha ko itohoza ryarangiye imara

imanitse, bigishikirizwa bica vyandikwa kw'ikopi y'ingingo imenyesha ko itohoza ryarangiye imanitse ku biro vy'igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw'ikomine, bagashirako ibiranga uwusaba guhagarika iyandikwa ry'itongo.

Igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw'ikomine gica kibimenyesha bidatevye uwusaba urupapuro ndangatongo. Iyo uwuhagarikishije iyandikwa ry'itongo yisubiyeko, iryo hagarikishwa rica rifutwa ubwo nyene.

Iyo Bidakunze ko ayo matati atorerwa inyishu muri ico gihe, baca babangira kugira barindrire urubanza rwa sentare.

Uguhagarikisha iyandikwa ry'itongo bitatorewe inyishu mu gihe umurwi wishikira kw'itongo n'ugusaba iyandikwa ry'ububasha kw'itongo bitashizwe mu cegeranyo cagizwe igihe umurwi wishikira kw'itongo canke bitashikirijwe mu gihe icegeranyo kimara kimanitse, bitegerezwa gutorerwa inyishu imbere y'uko hatangwa urupapuro ndangatongo.

4. **Itangwa ry'urupapuro ndangatongo rwo mw'ikomine**

Iyo ata ntambamyi n'imwe isigaye, baca bashikiririza nyene itongo urupapuro ndangatongo, hisunzwe ingino ya 405 ivuga iti: "Urupapuro ndangatongo rugirwa mu nzandiko zibiri nkomoko, rumwe rugahabwa uwurusaba, urundi rugashingurwa n'igisata kijejwe kwandika no gushingura impapuro ndangatongo mw'ikomine.

III.3 Iyo urupapuro ndagantongo rutaye ubigenza ute?

Inyishu iri mu ngingo ya 406: Mu gihe urupapuro ndangatongo rutakaye canke ruzimanganye, igisata kijejwe kwandika no gushingura

impapuro ndangatongo mw'ikomine kirashobora, habanje kwerekanwa urwandiko rwemeza ko rwatakaye canke rwazimanganye rutangwa n'inyamiramabi yo mu karere itongo ririmwo**,** guha nyene urwo rupapuro ikopi yimuriweko ibiri mu gitabu c'impapuro ndangatongo zo mw'ikomine.

Ico gisata gica kigira impfagusa urupapuro ndangatongo rwatakaye canke rwazimanganye rwari rwatanzwe ubwa mbere. Bica vyandikwa mu gitabu c'impapuro ndangatongo zo mw'ikomine.

Amafaranga y'ikopi yimuriweko ibiri mu gitabu c'impapuro ndangatongo zo mw'ikomine arihwa n'uwuyisaba.

Menya neza: Komine yose ni yo ishinga amahera atangwa kugira umuntu ahabwe urwo rupapuro.

III.4 Akarusho ko kwandikisha itongo

Amategeko aravuga uturusho umuntu aronka iyo yandikishije itongo ryiwe. Aha twovuga ko nyeneryo afise uburenganzira bw'ukurikoresha ibikorwa vyose arekurirwa n'amategeko ku bijanye n'ububasha kw'itongo n'ukubuhanahana vyemewe n'amategeko ahasanzwe, nk'ugutanga itongo hari igitanzwe canke ata gitanzwe, ugutorana itongo, ukurikotesha, ugutanga intizo y'itongo mu gihe kirekire n'ugutanga ingwati kuri iryo tongo (ing.408). Vyongeye, ububasha bwemejwe n'urupapuro ndangatongo rurishimikizwa imbere y'abandi kiretse bigaragaye ko rurimwo amahinyu imbere ya sentare ibifitiye ububasha (ing. 409).

IKIGABANE CA KANE: GUTATURA AMATATI YEREKEYE AMATONGO

Amatati yerekeye amatongo, mbere n'ayandi yose atari ivyaha, arataturwa n'inzego nyinshi. Aha twovuga nk'abashingantahe, abatowe, imboneza, amashirahamwe adahararanira ivyicaro vya politike ku ruhande rumwe, hamwe n'amasentare kurundi ruhande. Muri kino kigabane tugaruka gusa ku ma sentare.

IV.1 Amasentare asanzwe

Ububasha bw'amasentare butegekanijwe n'ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 18/3/2005 rishiraho igitabu c'amategeko agenga itunganywa ry'amasentare n'ububasha bwabo.

1. Sentare y'intango

Izi sentare tuzisanga ku mirwa mikuru y'amakomine kiretse ko hari amakomine makeyi afise sentare z'intango zibiri canke zirenga.

Ku vyerekeye amatongo, iyo sentare ifise ububasha ku matongo yose atanditse, gutorana mu gihe ivyo batorana bifise agaciro katarenze umuliyoni w'amaranga y'amarundi.

2. Sentare nkuru y'igihugu

Tuzisanga ku mirwa mikuru y'intara hongewe ko zitatu ziri mu Gisagara ca Bujumbura. Mu vyerekeye amatongo izo sentare zifise ububasha bwo kwakira imanza z'amatongo zungurujwe zivuye muri sentare y'intango, izerekeye amatongo yanditse zihatanguriye hamwe n'izerekeye gutorana ico bapfa kirenza agaciro ka miliyoni imwe.

3. Sentare Nkuru isubiramwo

Izi sentare ni zine mu Burundi: Bujumbura, Bururi, Gitega na Ngozi. Zakira imanza zungurujwe. Twomenya kandi ko ari nazo zica ubwa nyuma imanza z'amatongo atari mu bisagara zatanguriye muri sentare y'intango.

IV.2 Sentare zidasanzwe

Izo sentare ni zibiri : sentare ica imanza zirimwo Reta na sentare idasanzwe ica imanza z'amatongo n'ayandi matungo.

1. **Sentare ica imnza zirimwo Leta**

Mu vyerekeye amatongo iyo sentare ica imanza zifatiye ku ngingo zerekeye gusohorwa mw'itongo kubera inyungu rusangi canke umuzibukiro. Hari naho usanga zitatura amatati yerekeye amatongo yatanzwe kabiri canke kenshi.

2. **Sentare idasanzwe ica imanza z'amatongo n'ayandi matungo**

Iyi sentare ica imanza zifatiye ku matati yanduruka ku rwimo rwabaye mu Burundi kuva bucikukira. Yakira ubwa mbere iyunguruzwa ry (ingingo ivuye mu murwi CNTB.

Iyo sentare irafise igisata c'iyungururiza kandi imanza ziciwe muri ico gisata ziba zibaye ntabanduka kuko zitunguruzwa.

IV.3 Ingene imanza zerekeye amatongo ziburanishwa

Imanza zerekeye amatongo ntaco zisangije zikurikiza intambwe z'indi manza z'amatati nkuko bitegekanijwe n'igitabu c'amategeko agenga ingene imanza z'amatati zishingwa, ziburanishwa, zitohozwa, zicibwa zigakurikizwa. Nazo ni izi zikurikira:

1. Gushingisha urubanza: uwo vyega atanga ibirego bigizwe na kopi zibiri kandi agatanga n'amahera yo gushinga. Baca bamuha inomero y'urubanza hamwe n'igitansi.

2. **Kumensyeshwa ko witwariwe**: sentare ica itegura umutahe kugira imenyeshe uwitwariwe ko hari urubanza rumwega. Aca ahabwa n'ibirego ahejeje kuwuterako umukono. Hanyuma nawe ca yiregura.
3. **Intahe y'icese**: Ababuranyi bose bamenye urubanza, sentare ica iruha isango kugira baburane bahinyuzanya. Ni igihe c'itohoza:

kwumviriza ababuranyi n'amasura yabo, kwihweza inyandiko ziri muri dosiye, gushika ahari itongo ritase, n'ibindi.

4. **Gushira urubanza mu mwiherero**: sentare inyuzwe ishira urubanza mu mwiherero kugira ice urubanza. ifise iminsi 60.
5. **Gusoma urubaza**: sentare imaze gufata ingingo ica iyisoma mu ntahe y'icese.
6. **Kumenyeshwa urwaciwe**: Ababuranyi baramenyeshwa urwacitse kandi uwatsinzwe aratanga amagarama.

Iyo uwatsinzwe adashimye, arashobora kwunguruza urubanza muri sentare ikurira iyo yarimwo. Ategerezwa kubigira mu gihe kitarenze iminsi 30 kiretse ugusambuza ari iminsi 60, kuva umenyeshejwe urubanza.

IGIKORWA CO MUMIRWI

Mariyana ni umupfakazi wo muri Komine Gisuru. Ashaka kwandikisha itongo ryasizwe n'umugabo wiwe muri Komine. Ariko sebukwe yarahiye ararengwa avuga ko itongo ari iry'umuryango ko naho ryokwandikwa ryoshirwa kw'iziba ry'umuryango. Ko akwituye uvuye mu nyigisho:

- Mwereke ingene yobigenza kuva agisaba gushika ryandikwe.
- Mbe sebukwe ubona ari mu kuri ? Sigura inyishu, uteko ubahanure.

Inyishu

Intambwe nkurunkuru ni izi:

- Gusaba
- Gushinga isango umurwi w'abasuzumyi bo ku mutumba bazoshikira kw'itongo
- gutangaza idosiye y'ugusaba kwandikisha itongo n'igenekerezo umurwi wo ku mutumba ujejwe gutohoza ivyerekeye amatongo uzokwishikira kw'itongo
- Gushika aho itongo riri
- Guharikisha ngo itongo ntiryandikishwe
- Gutanga urupapuro ndangatongo

Sebukwe wa Mariyane nta burenganzira afise bwo kumubuza kwandikisha iryo tongo kw'izina ryiwe nk'umuserukira umuryango wiwe.